Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°799 15 Nyakanga 2023

## Indagano za burundu mu muryango w'aba Ursuline b'Umushaha Mweranda wa Yezu, Paruwase Bukwavu




Abo babikira 4 mubona ni :

1. Mama **Maria Grâce ARAKARWIRA;**
2. Mama **Maria Alphonsine NIYONGABO;**
3. Mama **Maria Médiatrice SINIREMERA;**
4. Mama **Maria Anna BIZIMANA:**

Kw'igenekerezo rya 2 Nyakanga 2023, wari umusi uhambaye kuri izo ntore, aho kari agahimbare no mu miryango yabo kuko bari baramutse batura Imana indagano zabo za burundu.

Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Aba Chiro ni abatumwa b'urukundo, ubutungane n'amahoro



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Aba Chiro ni abatumwa b'urukundo, ubutungane n'amahoro................4

o Indagano za burundu mu muryango w'aba Ursuline b'Umushaha Mweranda wa Yezu paroisse Bukwavu..........................................................................5

o Umuryango n'urugo bitandukaniye hehe?...................................................6

o Yubile y'imyaka 50 ku Babikira Bene Bikira mu Burundi.........................8

# Idominika ya mirongo ibiri na kabiri: Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Ubwitonzi: 27, 30- ;28,1– 7*

**Imburi :**

Mu gisomwa ca mbere, umwanditsi w'igitabu c'Ubwitonzi atumenyesha ko uwihora, Imana nayo izomwihora, ikamubaza ku bicumuro vyose yakoze.

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ubwitonzi:

*(Banza urekurire mugenzawe yakugiriye nabi, niho uzorekurirwa ibicumuro vyawe)*

Ayandi mashano abacumuzi bakora ni inzigo n'ishavu. Uwihora, Umukama nawe azomwihora, amubaze ku bicumuro vyose yakoze. Rekurira mugenzawe akabi yakugiriye, kugira ngo nawe niwasaba, uze uronke ikigongwe c'ibicumuro vyawe ; umuntu yama afitiye inzigo mugenziwe, mbe yosaba ate Umukama ngo amukize ? Ku muntu nkawe nta kigongwe agira, none yosaba ate ngo arekurirwe ibicumuro vyiwe ? Ko atibuka ko ari ikiremwa gusa akagira inzigo, ni nde yomugirira imbabazi ku bicumuro vyiwe ? Urama wibuka amaherezo yawe, uheze wirinde urwanko, uribuka ko uzopfa ukabora, uheze witwararike amategeko y'Imana. Uribuka amabwirizwa y'Umukama, ureke kugirira akajirya mugenzawe. Uribuka isenzerano ry'Umushobora vyose, uheze wirengagize igitutsi.

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyaroma:14, 7 – 9*

**Imburi :**

Mu gisomwa ca kabiri, Paulo mweranda aratwibutsa ko tubaho canke dupfu, turi ab'Umukama Yezu kristu, we yapfuye akisubiza muzima.

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma:

*(Tubaho canke dupfa turi ab'Umukama)*

Ncuti zanje :
Nta n'umwe muri twebwe abaho ngo yigungane ubuzima, kandi nta n'umwe apfa urupfu rwa wenyene. Iyo turiho, ubuzima bwacu ni ubw'Umukama, ni twapfa naho, dupfira Umukama. None rero, tubaho canke dupfa, turi ab'Umukama. Igituma n'uko Kristu yapfuye akisubiza muzima, kugira ngo abe Umukama w'abapfuye n'uw'abazima.

## Inkuru nziza: *Matayo : 18, 21– 35*

**Imburi:**

Mu Nkuru nziza twumva umugani w'umuntu shebuja yarekuriye umwenda munini cane ; nawe ngo ahure na mugenziwe, yari amuheraniye utuntu ubusa, aca amugwa mu kanigo, aramukamvya.

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umukama yavuze ati: "Ndabahaye itegeko rishasha: nimukundane nkuko nabakunze".*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Sinkubwiye kumurekurira gushika ku ndwi, ariko kugeza kuri mirongo indwi ku ndwi)*

Muri irya minsi, Petero yegereye Yezu amubaza ati: "Mukama, mugenzanje ancumuyeko, nzomurekurira kangahe: gushika ku ndwi?" Yezu na we ati: "Sinkubwiye gushika ku ndwi, ariko kugenza kuri mirongo indwi ku ndwi. Ni co gituma Ubwami bw'ijuru busa n'umwami yagomba kwishuza abasuku biwe. Ngo abe agitangura, bamuzanira uwari amuheraniye amatalenta ibihumbi cumi. Nya musuku ngo abure ico yishura, shebuja ategeka ko bamucuruza we n'umugore wiwe n'abana, be n'utwo atunze twose, abe yishuye rero ivyo aheranye. Nya musuku yikubita imbere yiwe, aramutakambira ati: 'Mukama, ntenyenyera nzokwishura ivyawe vyose.' Shebuja rero bimutera ikigongwe, aramurekurira, amuhebera n'umwenda yari amufitiye.

Uno musuku ngo ave hano, ahura n'umwe mu bagenzi biwe amufitiye amadenariyo ijana. Aca amugwa mu kanigo, aramukamvya ati: 'Ishura ivyo umperanye'. Uno nawe aca aramufukamira, aramutakambira, ati: 'Ntenyenyera, nzokwishura.' Uwundi nawe aranka, mbere aca aja kumushirisha mu ngoyi, umwanya atarishura umwenda yariye.

Bagenzi biwe ngo babibone, birababababaza cane, baca baja kwiganira shebuja ivyabaye. Nawe aca aramuhamagaza, amubwira ati: 'Wa musuku w'inkozi y'ikibi, umwenda wose wari umfitiye nawukurekuriye kuko wantakambiye: none weho, ntube wagirira imbabazi mugenzawe nkuko nanje nazikugiriye? N'ishavu n'akantu, shebuja amurekurirako abantu biwe, baramuhuragura, umwanya atarishura umwenda wiwe wose. Uko niko na Data ahangamye mw'ijuru azobagira, nimutarekurira abandi bimwe bishemeye.".

# Umuryango n'urugo bitandukaniye hehe? *(Ibikurikira)*

Foto: Chanel HARINGANJI



*Umushingantahe Onesphore NDUWAYO, umwe mu bashikirije inyigisho*

32. Abana bavuka ku batubakanye. Abo bana babita << ISHUSHU >>. Aho bana baragira ingorane.

Muri make, ntibemerwa. Babangamiwe na vyinshi: nta mwizero, nta kazoza, ntaho bazotorana kuko imiryango izobinuba, ntibazokwiga, ntibazokwivuza, ntibagira Isaganirizo.

Kubera ata ndero ikwiye baronka, nta nkeka ko bashobora kuzovamwo abasuma, abambuzi. Bizobagora gusumba niyo baba batanditswe muri Komine bakivuka.

Ntitwibagire ko hari abavuka bagatabwa mu gahinga, mw'ishamba, mu ma yarara. Abadapfuye, naho boronka uwubitaho, ntibazigera baronka umunezero wuzuye nk'umwana akuriye mu Muryango wiwe akarerwa n'abavyeyi.

33. Umwana avukanye ubumuga. Hari imiryango ihura n'ivyago hakagira umwana avukana ubumuga (nyamwema, ubujana, umukehabwenge, ubumuga bundi bw'ibice vy'umubiri...).

Igihe badashoboye kuvyakira birahungabanya urugo. Umwana bakamunyegeza, bakamwinuba, bakamutunga agatoke: mu muryango bakabifata nk'umuvumo.

34. Inda z'indaro: ivyo bireze mu banyeshule, mu bigeme batagiye mw'ishule n'abahevye kwiga, no mu bakozi bo munzu (abayaya).

Ababateye izo mbanyi ntibahuta bavyemera, nyina ugasanga nta buryo afise, ubuzima bwiwe bukaba buhagaze, bigahungabanya umuryango. Ingene uwo mwana azobaho bigatera ibibazo.

Hari n'igihe abavyeyi basubiranamwo. Hari n'abakorora inda (ubwicanyi).

Birashika ko imisore n'inkumi bagendana, mu nyuma ugasanga umwigeme aratwaye inda. Kubera wa musore ata nzu aba afise, agaca azana uwo mwigeme bakabana mu nzu y'abavyeyi.

Hari igihe uwo muhungu aca anyika. Uwo mwigeme akabura isaganirizo kuko ntaba agisubiye iwabo. Iryo ni ibara ku mutemere!

35. Guharika: Niko amategeko y'igihugu arihaniza guharika. Ariko idini rya Islam rirarekurira umugabo kurongora abagore bashika bane.

Uwo mugabo ntaguma hamwe, ukibaza ingene atunganya ingo zine. Ibi rero biratuma havuka abana benshi, cane cane ko bazana abagore bakiri bato.

Ivyo birakwega ingorane kandi, iyo Serugo ashengeye, hageze ikibazo co kugabura no gutorana ibisigi.

36. Kurenga ibigo no kubana bidaciye mu mategeko: Kurenga ibigo biriho, ari mu bagabo, ari no mu bagore. Abagabo baritwaza ya migani ya kera yataye igihe ngo Impfizi ntiyimirwa», itunga ry'umuryango bagasesagura. Abagore nabo ngo Umwonga umwe wonza inyoni».

Hari n'abiharaje kugendana n'abagabo benshi (batatu: uwo bubakanye agaragara, uwutanga inoti, n'uwitwa ko amutunganiririza neza amabanga yabubatse). Hariho n'abagore bahemba abasore bitwa Abapfubuzi. Ivyo ni ibintu bisambura urugo, bigatitura agateka n'ubuntu mu bubatse.

37. Guta urugo: Birashika ko umugore ata urugo agasubira iwabo. Biba biturutse ku mvo nyinshi nk'ubukene, umugabo yigenza nabi mbere akamuhohotera. Birashika n'abavyeyi bakabigiramwo uruhara (cane cane aba mama-murantunga).

Hari n'igihe umugabo ata urugo akaja kwibanira n'uwundi mugore (Umuhabara) uburyo bwotunze umuryango bukahahonera. Uwo muhabara nawe aramurya akamunununuza ata kinya, niho aba amuboneye.

38. Ubwicanyi mu rugo no kwiyahura: Ubwicanyi, uburozi no kuja mu bintazi navyo nyene birabangamiye imiryango imwimwe.

Mu gihe bishitse, biratera icuka kibi mu rugo, mu muryango wagutse no mu kibano. Abantu barinubana bakankana urunuka.

Ubwo bwicanyi burakomeretsa cane imitima y'abana,burahungabanya ababanyi: na Leta irashikirwa kuko itegerezwa kwitaho abo vyakozeko.

Vyongeye abantu basigaye biyahura (abagore n'abagabo). Ibituma ni vyinsi, bimwe biramenyekana, ibindi ntibimenyekana. Hari ibituruka ku bukene bwateye mu rugo, canke inyifato itabereye/igayitse y'umwe mu bubakanye vyanse kwihanganira.

39. Ubukene mu rugo: Ubukene burasenyura ingo igihe abubakanye batavyifashemwo neza. Bokwibuka ya Ndahiro barahira umunsi w'ubugeni.

Vyongeye, uburyo bubonetse aho gukomeza urugo, har'igihe busarisha uwaburonse bugatera ahubwo ikibazo mu muryango, bitewe n'ububegito (umugabo agata umugore bubakanye akaja kurondera abandi, umugore agakengera umugabo akamurwiza n'ubusa).

40. Kunywa urumogi n'ibiyayura mutwe: Ivyo bintu birafise ingaruka mbi ku muntu, ku muryango no mu gihugu.

Ibik. urup.6

# Aba Chiro ni abatumwa b'urukundo, ubutungane n'amahoro

*(Bitangurira ku rup.1*

Umuhari wa Chiro Burundi uherutse gusozera isabukuru ndangakaranga ku rwego rw'igihugu ku civugo ngo: «Mugukorera Ekleziya n'igihugu, aba Chiro twiyemeje kuba abatumwa b'urukundo, ubutungane n'amahoro».

Hari mw'ikoraniro ridasanzwe ryabereye ku murwa mukuru wa politike i Giteka, ku magenekerezo ya 25, 26 na 27 Myandagaro 2023.

Ku mugoroba w'uwa 25 Myandagaro, aba Chiro bavuye mu mihingo itandukanye y'igihugu bahuriye hagati na hagati mu gisagara ca Gitega, bava ngaho baririmba indirimbo z'umwizero n'amahoro bagana Katedrale Kristu Mwami ya Diyoseze nkuru ya Gitega, ahahererejwe inkuka ya misa yo kwugurura ibirori bisozera iyo sabukuru.

Umwibutsamana w'umuhari wa Chiro ku rwego rw'igihugu ari nawe yahereje iyo nkuka ya misa, yarakengurukiye aba Chiro bigoye bagafata ingendo zitandukanye yongera aranabakeza kubona bageze kuri iyo ntambwe yo gusozera isabukuru ndangakaranga



bari bamazemwo umwaka wose.

Ico gihe nyene, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega yarashikirije intasho n'umuhezagiro w'Umwu-ngere abo ba Chiro baserukiye abandi mu gihugu cose. Kuri we, ngo ni akanyamuneza ntangere kubona umuhari yakuriyemwo uriko uriyubaka wongera wisubiza ijambo inyuma y'imisi kaciyemwo umuhari ukaryama.



Umwungere yibukije abo bachiro ko bafise uruhara ntangere mu gufash urwaruka gukurana umutima ukunda Imana kandi ukunda igihugu. Ati: «Muri iki gihe Papa Fransisko yadushize mu nama nsangizangendo, ni akaryo k'uko umukristu wese agira uruhara mu kwubaka Eklziya muryango.»

### Urubanza rumwe rumara zibiri

Ubutumwa bw'umuhari wa Chiro bushingiye ku gusenga, ugukora no gukina. Ivyo bikorwa bitatu vyama bigenda bibangabanganwe mu makoraniro makuru makuru y'Umuhari wa Chiro. Muri iryo koraniro risozera isabukuru ndangakaranga, hari hategekanijwe igikorwa c'urukundo, aho



aba Chiro bafyaturiye amatafari umupfasoni ntahonikora wo ku mutumba Rango komine Gitega.

### Mu birori ndangakaranga, haribukijwe aka kera

Ku mutaga w'uwa 26 Myandagaro, niho habaye ibirori bisozera isabukuru ndangakaranga mu muhari wa Chiro Burundi. Muri ivyo birori, diyoseze yose yaserukirwa n'imirwi ibiri yateguye ibikino ndangakaranga.



Harimwo imvyino n'intambo bihayagiza imico n'akaranga mu ntara zitandukanye z'igihugu bivanye na bamwe bamwe bose iyo baje bava, kwibutsa ingene ab'aho hambere basangira akabisi n'agahiye, ivy'intwaro ya cami, ingene abarundi batorera inyishu amatati bidaciye mu ngimba, amazina, umurisho w'ingoma n'ibindi.

Ivyo birori vyari bimeze nko guhiganwa n'aho kutari guhezanyayo nk'-uko vyashikirijwe na Ir Emmanuel NGENDAKURIYO, kizigenza Mukuru wa Chiro-Burundi.



Nico gituma abarushije abandi muvyo berekanye bararonse ubushimwe.

Diyoseze ya mbere yabaye Ngozi, ikaba yaronse inka ikuze. Diyoseze ya kabiri yabaye Bujumbura nayo nyene ironka inka mugabo itangana n'iyahawe diyoseze Ngozi. Ayandi madiyoseze yaronse impene guhera kuri 4 gushika kuri 1 bivanye n'ikibanza baronse. Diyoseze Rutana niyo yabaye iyanyuma kuko yoyo ata murwi n'umwe yashoboye kuronka, mbere no mw'ihiganwa nta muchiro n'umwe ava muri iyo diyoseze yahahonyoye.

***Mélance Ndayikeze***

# Indagano za burundu mu muryango w'aba Ursuline b'Umushaha Mweranda wa Yezu paroisse Bukwavu

*(Bitangurira ku rup.1*

Ni kuri uwo musi nyene bari barumanije imyaka 6 bagize indagano za mbere muri uwo muryango, hari kw'igenekerezo rya 2 Nyakanga 2017, uwo musi uwo muryango w'aba Ursuline ukaba wari uramukanye ihimbazwa rya yubile y'imyaka 25 ushitse mu Burundi.

Ivyo birori bihimbaye rero, vyatanguwe n'urugendo rwava mu mubano w'abo babikira rugana mu Ngoro y'Imana.

Mu kwitsa Ijambo ry'Imana, Musenyeri Gerevasi BASHIMIYUBUSA arongoye diyoseze Nkuru ya Bujumbura, akaba ari nawe yakiriye izo ndagano z'abo babikira, yabatekereye impanuro ababwira ati :



Foto: Chanel HARINGANJI

« Murame muri ababikira baciye bugufi, niho muzomenya Imana y'ukuri kandi mushobore no kurangura neza ishaka ryayo. Kuko umuntu adaciye bugufi naho yokumva ishaka ry'Imana, yama ashaka kuriharirira canke kurihinyuza, ntaheza ngo aryakire arirangure.

Ariko uwuciye bugufi, ishaka ry'Imana uko rije rimeze kwose, ntiyihebura, kandi uwurangura iryo shaka ry'Imana arahirwa mu buzima bwiwe.

None rero babikira, murame mwihweza Yezu, gutyo muzokunguka urukundo kandi rubatume kumwigana.

Nimwagira ben'urwo rukundo, muzogira amahoro mu mibano yanyu gusumba, kandi muzobona y'uko naza ndagano zobabereyenk'umutwaro kuko nyene hari igihe zishobora kuba nk'umutwaro, zihava zikamera nk'izihwahutse ».

Umwungere ati : ***« Kuko iyo ukunda umutu, ivyo umukorera ntibikuruhisha, ntibikurambira na buhoro buhoro ».***

Mama Maria Grâce ARAKARWIRA na Mama Maria Alphonsine NIYONGABO, bamwe mubari bahejeje kugira i-ndagano, mu biyago twa-yaze, bahejeje kugaragaza ubukengurutsi bafise kuri uwo musi, twarabajije Mama Maria Grâce ARAKARWIRA ko igihe yagira iciyumviro co kuja kwihebera Imana, atantambamyi yagize, yatwishuye ati :



Foto: Chanel HARINGANJI

« Mu bo abavyeyi babereye intambamyi gatoya jewe narimwo.

Barabinyankiye nkiri muhira, maze no kuza aha mu muryango w'ababikira b'aba Ursuline, barankurikiye kugira bashobore kunsubiza muhira kandi.

Ariko ivyo narabibatahuye cane, narabategereye kuko baba badukunda, badategera neza ubwo buzima tugiyemwo, umengo uragiye ntibazokongera kukubona.

None rero kuri uyu musi uri hejuru, n'agahimbare kadasanzwe kuri jewe, kuko Umukama yanteye iteka akanyakirira indagano z'ubuzima bwanje bwose muri uyu muryango w'ababikira b'aba Ursuline kumwe n'abagenzanje nk'ishikanwa rizima.

Ndatumiriye cane kandi ndateye intege barumuna bacu bariko baraza kw'ihebera Imana, barashobora guhura n'ibibagora nk'abavyeyi n'abavukanyi babo, bikanka ko babarekura. Ariko Umukama aba yarabahamagaye niwe aheza akabacira inzira ».

Mama Maria Sylvana Merlotte, ni umukuru w'umuryango w'aba Ursuline b'Umushaha Mweranda wa Yezu kw'isi yose, yari yaje gushigikira izo ntore ava mu gihugu c'Ubutaliyano.

Mw'ijambo ryiwe, yaratekereye impanuro muri aya majambo ati :

« Bavukanyi nkunda cane Mama Maria Grâce ARAKARWIRA; Mama Maria Alphonsine NIYONGABO; Mama Maria Médiatrice SINIREMERA; Mama Maria Anna BIZIMANA; ni mube imisi yose ico mwabaye unomusi kandi mukigendere ubuzima bwayu bwose.



Foto: Chanel HARINGANJI

Nimubandanye mumenyesha urukudo rutagira ingero n'ikigongwe vy'Imana nk'uko Mama Maria Ignatia IZAKI na Mama Maria Maragarita RUSANA babitwigishije. Ni mube imfungurwa, ivyambarwa, umuti, ruhoza n'abagenzi b'abo bose bazoza babagana.

Igikorwa ca mbere muhamagariwe imbere ya vyose, n'ukubanza kwuzura n'Imana mwebwe nyene, hamwe no kugira umwitwarariko wo kunganira bene wanyu mu kubasabira no mukubereka urukundo Imana ibakunda ».

Tubamenyeshe ko, uko umwaka utashe vyari bimenyerewe ko urwo rubanza rwo gushikiriza indaga burundu, rujana n'urw'abagira indagano za mbere, ariko guhera uyu mwaka bikaba vyarahindutse kuko abitegurira indagano za mbere ubu bagiye kuzigira inyuma y'imyaka 5, mugihe bahora bazigira inyuma y'imyaka 4.

***Chanel HARINGANJI***

# Umuryango n'urugo bitandukaniye hehe?

(Bitangurira ku rup.5)

Abantu (abakuze canke urwaruka) bihaye kunywa urumogi ntibaba bakimenya iyo bari, ubwenge buradegera, ba-ba imburakimazi.

Hariho ivyigaragaza: nk'ubusuma mu nzu, guheba ishule, kurara mu gahinga, ubushurashuzi,... Ababikora baragira n'urunani.

Urwaruka rubijamwo nta kazoza karwo. Ivyo navyo iyo bishitse mu bubakanye, umwumvikano uratosekara; mbere haraduka n'ukurwana, gukubitana, kumenagura ibintu, kudurumbanya urugo n'ababanyi, no gusinzikariza ubuzima rw'ababa mu nzu.

41. Ahaborerwe: Umugabo canke umugore anywa inzoga akarenza urugero gushika aho aborerwa biratera uruhagarara mu rugo.



Birahungabanya n'indero y'abana. Birashika ko ako kaborerwe karaza umuntu mu gahinga. Ashitse muhira abana n'umugore bakanyegera. Birashika ko ababana bagwana, bagakomerekanya, hakagira uwuborezwa igufa.

Aho ntitwibagiye ingaruka mbi ku butunzi bw'umuryango (bitumwe no gusesagura, kudakora).

42.Iterambere ry'ubuhinga bwo gutumatumanako amakuru:

Ubuhinga buguma butera imbere: ubu hariho amatelefone, imbonesha kure, imbuga ngurukanabumenyi...

Ivyo bintu vyarahinduye imitwe n'inyifato vy'abantu. Mu rugo abantu baricarana batari kumwe, batayaga, umwe wese ariko arafyondafyonda, anyereza urutoke ku telefone ngendanwa.

Amakuru n'amasanamu amwe amwe bica muri ubwo buhinga birabangamiye INGO. Urwaruka rworwo rusa n'urwatwawe n'ubwo buhinga. Niko bamwe burabafasha mu kumenya ibigezweho vylza, abandi bubasuka mu nzira idashika iyo bakoresheje nabi.

43. Impinduka mw'Isi: Muri ivyo hariho ingendo iriko irashwara isi kandi irimwo ibihangange. Ni Ingendo y'abagendana n'abitwa ko bubakana basangiye Igitsina.

Imico y'abarundi yaratewe n'ikibazo c'abantu bagendana, babana nk'abubatse kandi basangiye igitsina: umuhungu agakwegana n'umuhungu, umukobwa akagendana n'umukobwa, abandi bakabivanga vyose.

Urwo si urugo namba naho hirya no hino kwisi hari intambara yo gushaka kuvyemeza. Urugo hadutsemwo abantu nkabo rurahungabana, umuvyeyi arabura ayo acira n'ayo amira. Ivyo bintu birabangamiye imico n'imigenzo y'abarundi.

Ivyo bintu biri kubiri n'umugambi w'Imana igihe yarema umuntu. Nta kindi bigamije atari ugusenya icitwa urugo n'umuryango. Umwana yatwawe muri ivyo biragoye kumukwirikirana kuko arikumira akaryoherwa no kwamana n'abo basangiye izo ngeso.

**D. NONE HOKORWA IKI**

44. Turemeza twese ko Urugo/Muryango ari rwo soko n'umushinge vy'ubuzima bw'umuntu. Mu Burundi, nk'ahandi hose kw'isi, ibibangamiye ingo ni vyinshi, cane cane bikava ku nyifato n'imikorere y'abantu bamwe bamwe mu muryango.

45.Hari ikintu camye cibonekeza kuva na kera: ubusumasumbane bw'abagore n'abagabo; aho umugabo afatwa canke yifata nk'uwuri hejuru.

No mu muryango biribonekeza. Kera baravuga ngo:

«Nta shule y'umwigeme»; « Umwigeme ni akarago k'abaraye»; «Inkokokazi ntibika isake ihari», n'ibindi. Birakenewe ko bihinduka mu mitwe y'abantu.

46. Ariko uwundi mwanya abarundi bakigarura bagaha agaciro umugore bati: «Umuhushatunga ahusha umugore»; « Urugo ni babiri»...

47. Niko hariho amategeko agerageza kugabanya ubwo busumbasumane hagati y'umugore n'umugabo. Itegeko rigenga Ingo n'imiryango ririho ubu (ryo muri 1993) rirakeneye guhinyanyurwa mu ngingo zimwe zimwe zaryo.

Ibikur. urup. 7

# Indirimbo ihayagiza Rusansuma nkuru y'abanyagihugu, uburaro, uburimyi n'ubworozi

BUREAU CENTRAL DU RECENSEMENT (BCR)

EMERA USANSUMWE KUKO URI KIRUMARA

R/**Emwe barundi barundikazi mwese, eka namwe banyamahanga, muba ngaha mu Burundi muratewe akamo mwese twitabe rusansuma.**

1. Leta y'Uburundi yatunganije rusansuma rw'abanyagihugu/ uburaro, uburimyi n'ubworozi, ironke ibiharuro bigezweho

Kugir'imeny'igitigiri c'abantu/ bose baba aha mu Burundi/ imihana n'inyubako rusangi/ ibitunz'abantu mu burimyi n'ubworozi.

Rusansuma izofasha Leta/ gutegur'imigambi y'iterambere/ maz'abashigikira Uburundi/ baronke ibiharuro fatiro.

Izofash'abipfuza gutezimbere/ uburimyi n'ubworozi kuronk'ibiharuro nkenerwa/ vyingen'ivyo bisata vyifashe.

**R/Emwe barundi barundikazi mwese, eka namwe banyamahanga, muba ngaha mu Burundi muratewe akamo mwese twitabe rusansuma.**

2. Rusansum'izofasha kumenya/ ibirang'abantu bahungiye mu Burundi n'abegeranirijwe mu gihugu/n'urugero rw'ingen'abantu bashing'imiryango

Kumeny'ukwabantu babayeho/ ibigiz'inyubako n'ibikoresho vyo munzu/ urugero rw'ingene abantu barondoka, abitab'Imana n'abahindur'aho baba.

Musabwe kuzokwakira neza/ no gukingir'izo ntumwa za Leta

Kwishura nez'ibibazo muzobazwa/ bajejw'intwaro himiriz'abo mutwara.

Menya nez'iyi rusansuma/ garagaz'ukwikukira nyakuri Kuko abarundi turashoboye/ kwitunganiriz'ivyigihugu.

R/**Emwe barundi barundikazi mwese, eka namwe banyamahanga, muba ngaha mu Burundi muratewe akamo mwese twitabe rusansuma (x2)**

**· Aritiste Callixte NSHIMIRIMANA**

# Umuryango n'urugo bitandukaniye hehe?

*(Bitangurira ku rup.8)*

48. Biragaragara ko hoba igikorwa co gukinga no guhasha inyifato be n'ibikorwa bisa n'ivyaha bitosekaza ibanga ry'UKWUBAKA (mariage).

49. Muri make, kugira tugarukire ingo n'imiryango hokorwa ibi bikurikira:

1) Ka bakristu: Gusenga dushimiste, dusengere ingo n'imiryango, n'abafasha imiryango kugendera ibanga;

2) Kugwiza no gukomeza inyigisho zerekeye ingo:

3) Gutunga, gusoma no gusangira ijambo ry'imana mu miryango;

4) Birakenewe ko abantu bigishwa ivyo kurondoka ku rugero, bakoresheje uburyo bwemewe na Ekleziya, kanatsinda na OMS yarabwemeje, maze abubatse bakavyara abana bashobora kurera;

5) Gukomeza imihari rukristu, yame yitwararitse ingo n'imiryango, kandi nayo yandike imigambi yokorera hamwe mu nani;

6) Amategeko yohinyanyurwa kugirango ingo zikingirwe bikwiye;

7) Gukomeza ibiganiro mu ngo: abubatse bokwibukanya ibanga bemeye/baraganye, bakavugana imigambi yo guteza imbere urugo rwabo ata wandya wangura;

8) Kuronsa urwaruka (duhereye ku bimirije gushinga izabo) inyigisho zerekeye ubuzima mu rugo, uruhara rw'umwe wese mu gutsimbataza ituze n'iterambere mu rugo/Muryango;

9) Mu mashule hotangwa inyigisho zinonosowe neza zerekeye ubuzima bw'urugo;

10) Ingo zotunganya imigambi yo kwiteza imbere kugirango uburyo bwo gutunga umuryango bukwiye buboneke, kandi bugakoreshwa neza;

11) Ibinyamakuru vyose vyoshira ku rutonde rw'ibiganiro bishikiriza (programmes), ibiganiro vyerekeye ingo/imiryango, mbere bigaha akanya n'ijambo abafise ico baterera (intahe z'ingo):

12) Guhimiriza imiryango yugurure amaso, yisuganye, ishinge inani mu ntumbero yo gushira hamwe inguvu ngo ihangane n'ivyo bibangamiye Ingo n'Imiryango.

Murakoze!! Tugire Kristu.

***Ihwaniro rya mbere ry'ingo n'imiryango mu Burundi, ryo kuva 22 gushika 25 Ruheshi 2023***

# Yubile y'imyaka 50 mu muryango w'abikira Bene Bikira mu Burundi



Ababikira Bene BIKIRA barahimbaje imyaka 50 uyo muryango umaze ushitse mu Burundi. Hari kuri uyu wa gatandatu igenekerezo rya 2/9/2023 muri Paruwase ya Rugari, Diyoseze ya Muyinga, aho abo babikira basozera umwaka wa Yubile bari bamaze binovora ivyiza Umukama yabagiriye muri iyo myaka barangurira ubutumwa bwabo ng'aha mu Burundi. Kabaye n'akaryo k'aho ababikira batatu bagize indagano za Burundu, n'uyundi umwe yagize yubire y'Imyaka 25 mu buzima bwihevyi.

Inkuka y'Imisa yarongo-we na Nyenicubahiro Musenyeri Yohakimu NTAHONDEREYE, Umwungere wa Diyoseze Gatolika ya Muyinga. Munyigisho yiwe, yaribukije ko Yubile ari akaryo ko gutereza amaso inyuma aho twaje tuva, tukaraba aho tugeze, mu ntumbero yo kubaka kazoza keza ku muryango.

Ati: " Uyu mwaka wa Yubile wabereye uw'itrerambere mu rukundo rwa kivandimwe mumibano yabo no mumirimo, ko umwe wese yiyumvako ari umwana wo mu nzu Atari umuzanano, kandi ko ari mu rugo afise n'uburenganzira bwo gufata ijambo no gutanga intererano yiwe.Uyu mwaka wa yubile wababereye akaryo ko kwiyemeza kurushirizaho gukundana."

Niko kubibutsa kandi ko kuba barashitse mu Burundi ni Umugambi w'Imana yandika ibigororotse mu mirongo ihetamye.

Nkako Abene Bikira bambere bashitse mu Burundi, baje bahunga intambara y'amacakubiri yari yadutse mu Rwanda. Ariko kubera bakiriwe neza, Aho agahengwe kabonekeye, bashimye kuguma mu Burundi, batangura umubano wabo wambere.

Umwungere Niko kubibutsako bahimbaje yubile mugihe Diyoseze ya Muyinga yagize icivugo c'Umwaka w'Ubutumwa kurekuriranira nugusubiza hamwe ati rero: "Ni muyikundire ibagire abatumwa bo gukiza igihugu cacu n'ibindi vyose vyo muri aka karere k'ibiyaga binini no muri Afrika, mubikize ingwara iguma yisubiriza ari yo y'amacakubiri afatiye ku moko.".

Gurtyo bakaba abafata iya mbere mukuba abigisha mu ngendo yo kurekuriranira no gusubiza hamwe.

Uyo muryango w'Abene Bikira watanguriye mu gihugu c'Urwanda mu mwaka 1919 utangujwe na Musenyeri Yohani Yozefu Hirtz yatwara Intara y'Ubutumwa y'Uburundi n'Urwanda. Mu Burundi bakaba bahashitse mu mwaka 1973.

Umuryango w'Abene Bikira bafise ubutumwa bwo kwigisha Ijambo ry'Imana mu mashure mato, ayisumbuye na za kaminuza, kwitwararika amagara y'abantu, kwumviriza n'ugukurikirana abigeme bavyariye iwabo ngo bababafashe gusubira kugira icizere c'Ubuzima, gukurikirana abana bataye imiryango yabo kubera ibibazo bitandukanye bakaja mw'ibarabara, kwakira ingenzi n'ubundi butumwa bwose Ekleziya ibahaye.

Hambavu y'Ikigo c'Irero ry'abihebeyimana kiri mu Rugari, ubu bakaba bafise imibano ishika ku 12.

Uyo musi wa yubile kabaye n'akaryo kaho ababikira:

* Mama Marie Jeanine NSHIMIRIMANA avuka muri paruwase ya Rugari Diyoseze ya Muyinga,

* Mama Aline IRAKOZE avuka muri paruwase ya Rutovu Diyoseze ya BURURI,

* Mama Marie Belyse KWIZERA avuka muri paruwase ya Kivoga Diyoseze nkuru ya BUJUMBURA bagira indagano za burundu.

Mama Marie Melaniya yagize yubire y'imyaka 25 y'ubuzima bwihevyi muri uwo muryango.

Dusozere tubamenyeshako uwo musi mukuru wari witabwe n'abihebeyimana bo mu Miryango itandukanye baba abaje bavuye mu gihugu kibanyi c'Urwanda, Tanzaniya, Repuburika iharanira Intwaro Rusangi ya Kongo n'abo ngaha rero iwacu Burundi.

Twobamenyesha kandi ko uyo Muryango w'Abene Bikira wahimbaje yubire y'imyaka 100 ubayeho kuwa 8 Nyakanga 2019 i Butare mu gihugu c'Urwanda.

**Patiri Evariste Harerimana**
**Ashinzwe Kumenyesha amakuru**
**Diyoseze Muyinga.**

# Kuva 2025, Intara ya Butanyerera izoba igizwe n'amakomine 8

3. Komine **Kiremba,** umugwa mukuru wa komine ni Kiremba, igizwe n'amazone 10. Nayo ni :

- Zone Birambi igizwe n'imitumba 12: Buhigiranka, Gashingwe, Gatwe, Kigina, Kinyovu, Masama, Martyazo, Muremera, Mushonge, Rurama, Shinge, Shoza.

- Zone Bugina igizwe n'imitumba 10: Bitagazwa, Bunogera, Kibuye, Kidasha, Kivoga, Migongo, Nkomero, Nyabikenke, Nyamarobe, Ragwe.

- Zone Cindonyi igizwe n'imitumba 7: Bisiga, Kagoti, Kidasha, Kirungu, Nyambo, Rubaya, Rusave.
- Zone Gakere igizwe n'imitumba 9: Cayi, Gakere, Kibande, Kibezi, Kiremera, Kiyange, Munagano, Ngeramirongo, Ruvumu.
- Zone Giheta igizwe n'imitumba 8: Buhangare, Bitambwe, Congori, Gicumbi, Kidobori, Masama, Muhuzo, Nyamurenge.
- Zone Kiremba igizwe n'imitumba 12: Cagwa, Gahororo, Gatwaro, Gisuka, Gitaro, Kiremba, Masasu, Mugerera, Musanga, Ruhama, Ruyumpu, Rwimbogo.
- Zone Marangara igizwe n'imitumba 12: Burenge, Gisekuro, Kagina, Kigoma, Kigufi, kizenga, Makaba, Ndihwe, Nyakibari, Nyamugari, Nyanza, Ruramba.
- Zone Musasa igizwe n'imitumba 11: Buhama, Butare, Canamo, Kabanga, Kabari, Kagarama, Masoro, Mufigi, Musasa, Ruhata, Rutobo.
- Zone Nyamugari igizwe n'imitumba 8: Burenza, Gikomero, Higiro, Mutara, Nyunzwe, Renga, Rugomba, Runda.
- Zone Nyamurenza igizwe n'imitumba 11: Gasegerwa, Gicu, Gikingo, Gitare, Kaganda, Kagoma, J+Kajaga, Mubungere, Mugende, Nyabikenke, Nyarusange.




Yose hamwe ni imitumba 100 igize amazone 10 ya Komine Kiremba.

4. Komine **Kirundo**, umugwa mukuru wa komine ni Kirundo, igizwe n'amazone 20. Nayo ni :
- Zone Bugabira igizwe n'imitumba 4: Gacamirindi, Ntaho, Ruhehe, Rusugi.
- Zone Bukuba igizwe n'imitumba 8: Bwinyana, Canzikiro, Gahe, Muramba, Muyebe, Nyagatovu, Nyabihanga, Rwisuri.

- Zone Cendajuru igizwe n'imitumba 8: Canika, Cendajuru, Kabirizi, Kigobe, Kibizi, Ngere, Nyamisgara, Rwamikore.

- Zone Cewe igizwe n'imitumba 4: Ceru, Cewe, Rukuramigabo, Runyonza.
- Zone Gashingwa igizwe n'imitumba 10: Burararana, Gashingwa, Kavumu, Kiraro, Kirima, Martyazo, Nyakibanda, Nyamivuma, Nyamyumba, Rugeri.
- Zone Gihosha igizwe n'imitumba 7: Gakana, Gihosha, Kinyangurube, Mutara, Mwenya, Rugero, Shinge.

- Zone Gikuyo igizwe n'imitumba 8:Bugera, Busenyi, Cumva, Gikuyo, Kanyinya, Karamagi, Mataka, Rambo.

- Zone Kavomo igizwe n'imitumba 5: Kavomo, Kireka, Kiyanza, Muramba, Yaranda.

- Zone Kigina igizwe n'imitumba 5: Gaturanda, Gitorongero, Karisha, Kigina, Nyabikenke.

- Zone Kigoma igizwe n'imitumba 7: Kigoma, Muyange, Nyamata, Rugando, Rugasa, Saruduha, Shenga.

- Zone Kiri igizwe n'imitumba 7: Cimo, Kiri, Mubuga, Mugomba, Munyinya, Ngaragu, Ntembe.

- Zone Kirundo igizwe n'umutumba umwe n'amakartiye 5: Murama, Kartiye Bushaza, Kartiye Kavogero, Kartiye Kumahoro, Kartiye Rupfunda Kartiye Windaro
- Zone Kiyonza igizwe n'imitumba 9: Cindonyi, Cinuma, Gasagara, Kiyonza, Ninda, Nunga, Nyakarama, Rubuga, Rutamo.
- Zone Mugendo igizwe n'imitumba 9: Buringanire, Carubambo, Kinyovu, Makombe, Mariza, Mugendo, Ntango, Rutagara, Sasa.
- Zone Murungurira igizwe n'imitumba 6: Gitwenzi, Kamenya, Kanyagu, Kigina, Murungurira, Susa.
- Zone Ntega igizwe n'imitumba 8: Gasaven Kigaga, Mihigo, Monge, Ntega, Nyabisindu, Nyemera, Rugese.
- Zone Nyamabuye igizwe n'imitumba 7: Bwiza, Gitwe, Kamwayi, Muyumpu, Nyamabuye, Rukondokondo, Ryagihana.

- Zone Runyankezi igizwe n'imitumba 6: Bugorora, Gisitwe, Mwendo, Ngendo, Rukore, Runyankezi.
- Zone Rushubije igizwe n'imitumba 7: Gatwe, Kanabugiri, Muyinza, Nkorwe, Nyakibingo, Rushubije, Rwimbogo.

- Zone Vumbi igizwe n'imitumba 9: Butsimba, Gasura, Gikomero, Kabuye, Mbasi, Nyabikenke, Rwimanzovu, Shororo, Vumbi.

Yose hamwe ni imitumba 135 n'amakartiye 5 bigize amazone 20 ya Komine Kirundo y'intara ya Butanyerera.

***Biracaza***

***Ingingo N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.***

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ububasha bwa sentare z'intango na sentare nkuru z'igihugu

Nk'uko abarundi bayamaze bati "nta zibana zidakomanya amahembe", uburenganzira butandukanye bwa kiremwa muntu ntibwama bwubahirijwe uko bitegekanijwe n'amategeko.

Mu ntumbero yo kwubahiriza ubwo burenganzira butandukanye no kurinda abenegihugu kwihanira, Uburundi bwarashizeho amasentare atandukanye, umuntu yitura iyo abonye ko uburenganzira bwiwe butubahirijwe agaheza akamutunganiriza.

Ku mvo z'uko abenegihugu bishika bakazitiranya iyo hageze ko bazitura, twashimye kubayagira tubicishije muri kino kinyamakuru, ibijanye n'ububasha bwa Sentare z'intango na Sentare nkuru z'igihugu, mu manza z'ivyaha no mu manza z'amatati.

**1. Ububasha bwa sentare z'intango mu manza z'ivyaha**

Ububasha sentare z'intango zifise mu manza z'ivyaha, tubusanga mu ngingo zo kuva ku ya 6 gushika ku ya 11, z'ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 17 ntwarante 2005 ryerekeye itunganywa n'ububasha vy'amasentare mu Burundi.

Sentare z'intango zica imanza z'ivyaha bihanishwa imyaka itarenga ibiri y'umunyororo, n'ihadabu uko ringana kwose. Izo Sentare zirongera zigashinga indishi itangwa, n'aho nyene gukorerwa icaha ataba yitwaye.

Zirashobora gucira urubanza rwo gupfungwa mu kiringo kitarenze amezi abiri, k'umuntu yanse kuriha. Ikiringo c'igihano c'umunyororo ciyongera ku bindi bihano bicibwa na za Sentare z'intango, ntigishobora kurenza imisi cumi n'itanu ku caha kimwekimwe, canke amezi abiri ku vyaha vyose.

Sentare z'intango zirashobora gushira mu minwe ya Leta mu gihe kitarenga amezi atandatu, abantu bakuze, kubera ivyaha bitegekanijwe n'ingingo zerekeye ingeso mbi zo kwiyerereza, gushera n'ukudahaha.

Sentare z'intango zishashemwo umucamanza umwe, afashijwe n'umwanditsi w'imanza zirashobora guca imanza z'ivyaha bijanye no kurenga amategeko agenga ivy'ugutwara imiduga, kiretse iyo ari ibintu bihambaye.

Ico gihe umukuru wa Sentare, we nyene canke bisabwe n'umwe mu baburanyi, arashobora gufata ingingo yo kurungika urubanza muri Sentare igizwe n'umurwi usanzwe, iyo ngingo kandi ni ntabanduka.

Imanza z'ivyaha ziciwe na za Sentare z'intango zirashobora gusubirishwamwo no kwunguruzwa.

Muri Sentare z'intango zishashe mu manza z'ivyaha, Umushikirizamanza wa Republika arashobora kugena Umushikirizamanza umwe canke benshi, inyamiramabi imwe canke nyishi, kugira ngo barangure igikorwa c'Urwego rwabashikirizamanza.

Iyo ata genwa nk'iryo ryabaye, abacamanza bo muri Sentare z'Intango bashashe mu manza z'ivyaha, ni bo barangura ayo mabanga y'abashikirizamanza bo nyene, bahagarikiwe n'Umushikirizamanza wa Republika.

Mu bitegekanijwe mu ngingo ya 11 y'iri bwirizwa n°1/08 ryo ku wa 17 ntwarante 2005 ryerekeye itunganywa n'ububasha vy'amasentare mu Burundi, abacamanza ba Sentare z'intango bategerezwa guca bamenyesha Umushikirizamanza bakukira, imanza zaciwe kugira bikenewe yunguruze urubanza.

Ububasha bwa Sentare z'intango ntibugarukira gusa ku manza z'ivyaha, no ku manza z'amatati zirahafise ububasha.

**2. Ububasha bwa Sentare z'intango mu manza z' amatati**

Ububasha bwa Sentare z'intango mu manza z'amatati, tubusanga mu ngingo za 12 gushika ku ngingo ya 14 z'ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 17 ntwarante 2005 ryerekeye itunganywa n'ububasha vy'amasentare mu Burundi. Izi ngingo zivuga ko, kiretse hari izindi ngingo zibitegekanya ukundi, Sentare z'intango zakira :

- amatati afatiye ku kintu abantu babiri canke barenga batatira gifise agaciro katarenza amafaranga angana n'umuriyoni umwe w'amafaranga y'amarundi ;

- imanza zerekeye amatongo atanditswe ;

- impari zerekeye amategeko agenga abantu n'imiryango mu gihe ububasha bwavyo butahawe iyindi Sentare ;

- imanza zijanye no gusohora uwupanze inzu canke ivy'amasezerano yo gukotesha. Ariko naho biri uko, Sentare y'intango nta bubasha ifise iyo urwo rubanza rwo kumusohora rujanye n'amasezerano y'ugupanga inzu yo kudandarizamwo.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 13, Sentare z'intango zakira, hashashe umucamanza u-mwe afashijwe n'umwa-nditsi w'imanza :

- imanza z'ibintu biciye amafaranga atarenga ibihumbi amajana atatu (300.000 y'amarundi) ;

- imanza zo kwumvikanisha ababuranyi ;

- amatati aturutse kw'ishirwa mu ngiro ry'imanza zaciwe n'izo Sentare nyene.

Izi sentare zashizweho mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira

Ibikur. urup. 11

# Ububasha bwa sentare z'intango na sentare nkuru z'igihugu

(Bitangurira ku rup.10)

bwa zina kiremwa muntu bwo kwitura sentare, igihe cose umuntu yakorewe icaha.


**3. Ububasha bwa Sentare nkuru z'igihugu mu manza z'ivyaha**

Ububasha sentare nkuru z'igihugu zifise mu manza z'ivyaha, tubusanga mu ngingo zo kuva ku ya 17 gushika ku ngingo ya 21 z'ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 17 ntwarante 2005 ryerekeye itunganywa n'ububasha vy'amasentare mu Burundi.

Izo ngingo zivuga ko Sentare nkuru z'igihugu zakira imanza zose z'ivyaha ata yindi Sentare izifitiye ububasha. Zirakira kandi, mu gihe hariho isano rikomeye hagati yavyo, ivyaha bikorwa n'abasirikare harimwo n'intwazangabo zifise igarade riri munsi y'irya majoro.

Sentare nkuru z'igihugu zica imanza z'ivyaha vy'ubusuma busanzwe hamwe n'ibijanye no gutanga isheke ata mahera ari kuri konte, hashashe umucamanza umwe gusa afashijwe n'Umushikirizamanza hamwe n'umwanditsi w'imanza.

Ariko iyo urubanza rusobanganye, Umukuru wa Sentare avyibwirije, canke abisabwe n'umwe mu baburanyi, ashobora gufata ingingo ntabanduka yo kurungika urubanza imbere ya Sentare igizwe n'umurwi usanzwe w'abacamanza.



Mu manza z'ivyaha, Sentare nkuru z'igihugu zungururizwamwo imanza zaciwe na Sentare z'intango zizikukira.

Bisabwe n'Umushikirizamanza, Sentare nkuru z'igihugu zirashobora gushikiriza Reta mu kiringo kitarenga amezi atandatu umuntu wese akuze akwirikiranwa n'ingingo zijanye n'ingeso mbi z'ukwiyerereza, zo gushera n'ukudahaha.

Imanza z'ivyaha zaciwe na Sentare nkuru z'igihugu zirashobora gusubirishwamwo,kwunguruzwa, canke gusamburwa.

Nk'uko twabibonye kuri sentare z'intango, ububasha bwa sentare nkuru z'igihugu ntibugarukira gusa ku manza z'ivyaha. No mu manza z'amatati, zirafise ububasha bwo kuzica.

**4. Ububasha bwa Sentare nkuru z'igihugu mu manza z'amatati**

Ivyerekeye ububasha bwa sentare nkuru z'igihugu mu manza z'amatati, tubisanga mu ngingo zo kuva ku ya 22 gushika ku ngingo ya 27 ya rino bwirizwa ryerekeye ingene za sentare mu Burundi zitunganijwe n'ububasha bw'azo.

Izo ngingo zivuga ko, Sentare nkuru z'igihugu zica imanza zose z'amatati ata yindi Sentare izifitiye ububasha.

Ku rugero rwa mbere, Sentare nkuru z'igihugu zica imanza z'amatati zerekeye amasezerano y'ugukotesha, amatati arimwo inzandiko zashizwe ko umukono n'inzego za Reta canke zemewe na Reta nk'urwego rwemeza inzandiko, ivyasezeranywe bizwi, canke imanza zamaze kuba ntabanduka, ivyerekeye ukwumvikanisha abantu, hamwe n'amatati aturutse kw'ikwirikizwa ry'imanza zaciwe n'izo Sentare nyene. Ico gihe hasasa umucamanza umwe afashijwe n'umwanditsi w'imanza.

Mu vyerekeye imanza z'amatati, Sentare nkuru z'igihugu zakira ku rugero rugira kabiri imanza zungurujwe zivuye muri za Sentare z'intango zizikukira.

Ingingo zo gukurikiza imanza zaciwe na za Sentare z'intango, zirashobora kwunguruzwa imbere y'intahe ya Sentare nkuru z'igihugu ishashemwo umurwi usanzwe w'abacamanza bo muri Sentare nkuru z'igihugu. Sentare ica urubanza mu maguru masha kandi urwo iciye ntirushobora kwunguruzwa.

Ingingo zafashwe na za Sentare zo mu mahanga, n'inzandiko nyakuri zirashirwako ikidodo co gukurikizwa mu Burundi na za Sentare nkuru z'igihugu iyo zikwije ibisabwa bikurikira:

a) iyo ata na kimwe kiri muri iyo ngingo giteye kubiri n'umutekano ;

b) iyo ari ntabanduka hakurikijwe amategeko y'ico gihugu cafashe iyo ngingo;

c) iyo ikopi y'iyo ngingo yashikirijwe ifise ivyangombwa kugira ibe nyakuri muri ico gihugu;

d) iyo uburenganzira bwo kwiregura bwubahirijwe;

Imanza z'amatati ziciwe na Sentare nkuru z'igihugu, zirashobora gusubirwamwo kwunguruzwa no gusamburwa.

Mu gusozera, twokwibukanya ko Sentare z'intango na Sentare nkuru z'Igihugu zifise ububasha bwo guca imanza, zaba iz'ivyaha canke iz'amatati.

Ariko naho biri uko, imanza zose izo Sentare ziciye, iyo bene kuzitura bada-shimye ingingo zafashwe, barafise uburenganzira bwo gusubirishamwo urubanza, kurwunguruza ndetse no kurusambuza.

Iyo abitwaye bashimye ingingo zafashwe naho, izo manza zica ziba ntabanduka.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Urugendo rwa Papa Fransisko mu gihugu ca Mongoli

Ku wa 31 Myandagaro 2023 gushika ku wa 4 Nyakanga 2023 Nyenubweranda Papa Fransisko yari mu rugendo rw'ubutumwa rugira urwa 43, mu gihugu ca Mongolie kiri hagati y'igihugu c'Ubushinwa n'Uburusiya ku mugabane wa Asie. Intumbero y'urwo rugendo yari iyo gushigikira abakristu katolika baba muri ico gihugu batarenga 1500, mu gihugu kingana incuro zitatu igihugu c'Ubufaransa.

Kukibuga c'indege Gengis Khan kiri ku murwa mukuru Oulan-Bator yakiriwe n'umushikiranganji muvyo ajejwe harimwo imigenderanire n'ayandi makungu Nyenicubahiro Battsetseg Batmunkh, aho yaciye aja ku cicaro c'uwuserukira iyo ntara y'ubutumwa kiri ku birometero 50 mu buraruko bw'igisagara Oulan-Bakar.

Yatanguye ubutumwa bwiwe ku wa 2 Nyakanga aho yabonanye mu mwiherero na Nyenicubahiro Ukhnaagiin Khurelsukh arongoye ico gihugu, Inyuma yaho yabonanye n'indongozi, n'abaserukira ibihugu vyabo muri ico gihugu.

Ni aho yashikirije ijambo rya mbere. Muri iryo jambo yagaragaje agahimbare aterwa n'abakatolika baho, naho bari kurushi, bitangana akanyamuneza ,mw'iterambere ry'igihugu, mu gufatana mu nda n'abandi badasangiye ukwemera, mu gutsimbataza amahoro n'umutekano n'imigenderanire myiza hamwe n'abandi.

Papa yibukije ko haci-ye imyaka 30 habaye amasezerano hagati ya Roma na Mongolie, ayo masezerano agereranya n'umuhora uhambaye ngo Ekleziya ishobore kurangura ibikorwa vy'iterambere. Yarabamenyesheje atamakenga, ko abakatolika bazokwama bagabiye kugira ico baterereye mu kubaka igihugu bari kumwe n'abandi. Yaciye abonana mu mwiherero n'umushikiranganji wa mbere Nyenicubahiro Luvsannamsrai Ovun-Erdene.

Inyuma yaho, yabonanye n'abasaseredoti 25 n'abihebeyimana 33 baharangurira ubutumwa. Yabahamagariye kugumana agacerere, n'igisabisho c'imvamutima imbere y'itaberenakulo gitanga akanyamuneza k'imbere mu mutima kugira bagumanire n'Imana ubunywanyi bushitse. Abibutsa ko ivyiza vyose tugabana biva kuri Yezu, akaba n'itunga ryacu.

Yabasavye kudaterwa ubwoba nuko ari bake, kandi badashoka babona ivyamwa vy'ubutumwa bwabo, abamenyesha ko ubwoba atari inzira y'Imana, abahamagarira kwizera Imana ikunda gukora ibikorwa bihambaye iciye ku bantu batobato.

Ku wa 3 Nyakanga, inyuma y'umutanga, niho yahereje inkuka ya misa imbere y'abakristu bake bari muri ico gi-



hugu, kaba akaryo keza ko kubonana nabo bakristu.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, yarabaremesheje mu kubabwira ko batari bonyene : « Ati Imana Data yaraturungikiye umwana wayo w'ikinege Yezu Kristu kugira adukize inyota dufise, twese turi ku rugendo turondera Imana, turondera ubuhirwe, turi ingenzi zinyotewe urukundo rw'Imana. Ni urwo rukundo ruhorosha inyota y'imitima yacu.

Imana ni Ruk undo. Mu mwana wayo Yezu Kristu yarabaye hafi yacu, ashaka gusangira natwe ubuzima, uburuhe,indoto n'inyota dufitiye ubuhirwe. Naho twumva umengo turumye, Imana iraduha amazi y'ubuzima ya Mutima Weranda adudubiza muri twebwe, akatugira bashasha mukudukiza ibihanamiye ubuzima bwacu.Yabikoze muri Yezu Kristu. »

Yarangije iyo nyigisho abamenyasha ko ubuhirwe nyabuhirwe butava kugihagararo, ubutunzi canke kuba umuntu ahambaye, ubuhirwe ni urukundo ruhorosha imitima yasaragaye, ni urukundo rudukiza ibikomere rukaduha n'akanyamuneza.

Dutegerezwa gutambukira mu makanda y'urukundo nyakuri rusigura ukwivako, ukurwanya ukwigungirako no guhahamira ivy'isi tukemera inkurikizi zose ziva kukubana kivukanyi n'abandi.

Iyo twemeye guheba ubuzima bwacu kubera Ijambo ry'Imana, Yezu arabudusubiza ku rugero rushimishije rwuzuye urukundo n'akanyamuneza ku buzima budahera. Yarangije urwo rugendo rwa mbere yagize muri ico gihugu ku wa 4 Nyakanga 2023.

*MSV Ndikumana Marie Goreth*